**Bible lessons.** **Lesson 25** **ABRAHAM ASKS FOR A BRIDE FOR ISAAC**

**Genesis 24:1-21; 50-67**

**Memory verse: "For as many as are led by the spirit of God, these are the children of God." Rom. 8:14**

## ABURAHAMU ASABIRA ISAKA UMUGENI

Icirwa ca 35

**Itang. 24:1-21, 50-67**

Ijambo ngenderwako : « ***Abarongorwa na Mpemu w'Imana nibo bana b'Imana.*** » **Romans 8:14**

### I. Intangamarara

Aburahamu amaze imyaka 100 avyarana na Sara umwana w'umuhungu amwita Isaka. Ku myaka 127, Sara arapfa, apfira i Kanani aba ari naho ahambwa. **Itang. 23:1-2.** Aburahamu we yamaze imyaka 175. **Itang. 25:7.** Isaka akwije imyaka 40 nyina atakiriho, niho vyaboneka ageze kurongora. Tugiye kwiga ingene integuro n'ishira mu ngiro vyagenze turabe nico bitwigisha.
Umuvyeyi mwiza.

### II. Aburahamu arahiza, agatuma umukozi wiwe gusabira Isaka

Aburahamu yarizera Imana ariko ntiyabura amakenga k'umuntu uwariwe wese, arico catumye asaba uyu mukuru w'abakozi bo mu rugo rwiwe kurahira akoresheje ku mushira ikiganza musi y'ikibero ciwe. Uyu wari umugenzo wabo mu gihe cose co kurahira mu bihe vyabo. Mw'isezerana risha ntivyemewe kurahira. **Mat. 5:33-37.**
Uyu muvyeyi yamurahije ngo ntazigere akura umugeni wa Isaka mu bakobwa b'abanyakananikazi kuko bari abanyangesa mbi, ategerezwa kuja mu b'iwabo aho yavukiye. Aburahamu yaratinya ko umuhungu wiwe yohava yanduzwa n'umugore wiwe ingeso mbi zabo bigatuma isezerano yahawe n'Imana ridashika kubazomukomokako. Ntiyanamwemereye ko yoshobora no gusubiza Isaka mu gihugu yavuyemwo. Aburahamu yabaye umwizigirwa ku Mana yiwe gushika no mu busaza akanipfuza ko rizoba iragi ry'intahava mubazomukomokako bose. Kandi vyarabaye. Wewe ubona uzosiga iragi rimeze gute ?

**III. Inkwano.**

Imbere yuko Abraham ahamagara Eliyazari, yabanje kuba yarateguye inkwano ategerezwa gutanga ku bavyeyi b'uwo mukobwa yohavuye yemera. ( impuzu, ibisharizo, ibintu vyiza vyiza vy'uburyo bwose) umurongo wa **10na53.**

Inkwano yamye ari itegeko mbere y'Imana. Yakobo yarishe inkwano ibikorwa vy'imyaka 14 ku bagore biwe kwa Labani. **Itang. 31:15.** Bituma badaharurwa nk'abanyamahanga.Hamori avugana n'abo kwa Yakobo asaba Dina, aravuga ati : *« inkwano mwoncira n'ingabire mwonsaba uko biri bungane kwose, ndabibaha uko mubinyatse, Ariko mumpe uwo mwigeme*. » **Itang. 34:12.**

Igihe cose ubana n'umugore utakoye, uharurwa nk'umunyamahanga imbere y'umuryango w'umukobwa. No mw'ishengero, uyo wese ataratanga inkwano nta cubahiro aba afise imbere y'ishengero. Kirazira kwiyumvira kurongora umukobwa w'abandi utaregeranya inkwano uzotanga uko bazozigusaba kose.

**IV. Umukozi w'umwizigirwa.**

-Yazigamye ubwizigirwa kuri shebuja. Ico yategetswe na shebuja cose yaragikurikije. Imbere yuko ahaguruka yarasiguje shebuja anamubaza icohava kigakurikira igihe uwo mwigeme yokwanka kuva iwabo. Ubwizigirwa burakenewe k'umukriso imbere y'abantu n'imbere y'Imana.

-Yizigira ukwishurwa kuva ku Mana. Yaravuze ati : « *Mana ya Databuja umpe umugisha uyu musi…. »* Kandi kuko yayishizeko ivyizigiro, yarakoze ico amusavye. Yesu yavuze ko ataco dushobora gukora tutamufise. **Yoh. 15:4b «***Nk'uko ishami ritabasha kwama ibwaryo, ritagumye mu muzabibu, ni ko namwe mutabibasha mutagumye muri jewe.* **»** Ibi vyose vyerekana uguca bugufi kwiwe kuko yarakubita inkoro n'imbere ya Betuweri. Iyi niyo ngendo Imana idusaba, ikazodushira hejruru hageze

**V. Umwigeme w'indero nziza.**

Akibona uwo mugabo, yaciye bugufi agaburira ingamiya ziwe,yambara izimukwiye, yari isugi, yubaha abatama,yemera iciyumviro c'abavyeyi anezerewe. Aka ni akarorero keza abigeme badakwiye kwibagira.

**VI. Akarorero k'ubukwe bwiza**

Umurongo 50, bamaze kubona ibimenyetso bose baravuga bati : « ***ivyo bivuye k'Uhoraho…*** » bose bati « AMEN » mu gihe co gucagura umugeni ntagutwarwa n'ibishobisho vy'umubiri, bisaba gusenga ukabona ivyemezo bivuye ku Mana

ikaba ariyo iguha umugeni mukwiranye. Bitabaye ivyo, ruzosanbuka budakeye kabiri.

Rebeka yari atarabonana n'umugabo. Vyari vyiza, ariko ko ushobora kurongora uwaciye mu vyaha akaba ubu yakiriye agakiza, ibi ntivyoba intambamyi.  Ariko biraduha gutahura ko atari vyiza gupfa kurongora canke kurongorwa n'uyo wese ubone yasohotse inzu canke yama yirukana abagore. Sengera uwawe.

**VII. Gushira mu ngiro.**

***Rebeka ishusho y'umugeni wa kristo.***

Rebeka yunamuye amaso abona Isaka ava kundogoba, abaza wamugabo ati urya ni inde agiye guhura natwe ? ati : « ***ni Databuja*** » aca yakira umwitwikiro wiwe yitwikira mu maso. Biratwigisha ko Ubu twegereje gusanganirwa na Yesu kandi turi hafi kumushikira, ni tubaze Mpwemu Yera ico dukwiye gukora, maze tureke ubunebwe bwo kwiyicarira ku ndogoba, twambare umwambaro uberanye no gusanganira Yesu Kristo yadukoye. Duhebe ivyaha vyose vyotuma umukwe atubenga.